# Ibibazo n'inyishu(kuvyerekeye Sida dufatiye ku bitsina)

Ikibazo: Ni bande babangamiwe cane n'umugera wa Sida: ni abagabo canke ni abagore?
Inyishu: Muri iki gihe, kw'isi yose igitigiri c'abagabo bagendana umugera wa Sida kirangana n'igitigiri c'abakenyezi bawugendana. Ariko muntango, abagabo nibo bari benshi gusumba abagore. Muri iyi myaka cumi iheze, igitigiri c'abakenyezi banduye umugera wa Sida carongerekanye gose kuburyo muri iki gihe abakenyezi banduye umugera wa Sida aribo benshi gusumba abagabo: baharuye abantu bakuze bagendana umugera wa Sida, basanga igitigiri c'abakenyezi caraduze kiva kuri mirongo itatu na gatanu kw'ijana (35%) kija kuri mirongo ine n'umunani kw'ijana (48%). Mu rwaruka ruri hagati y'imyaka 15 na 24 rugendana umugera wa Sida, mirongo itandatu kwijana (60%) ni abigeme; muri Afrika iri musi ya Sahara, abakenyezi bagendana umugera wa Sida bangana ibice mirongo itanu n'icenda kw'ijana (59%) vy'abanduye bose.

Ikibazo: Mugihe c'ukurangura amabanga mpuzabitsina, abakenyezi boba aribo bageramirwa cane no kwandura umugera wa Sida?
Inyishu: Ego cane. Twihweje ingene umukenyezi aremye, biraboneka ko mugihe co kurangura amabanga mpuzabitsina umukenyezi yokwanduzwa ningoga n'uwo bayaranguranye yaranduye gusumba ingene umugabo yokwandura. Akabiribiri koroshe ko mubihimba vy'irondoka ni kanini kumukenyezi gusumba kumugabo kandi mukurangura amabanga mpuzabitsina abakenyezi nibo bakira intanga.

Ikibazo: Hari isano riri hagati y'imibereho y'abantu n'ingene umugera ubabangamira?
Inyishu: Naho ukutanganya uburyo bwo kubaho womenga ntibijanye n'ivya Sida, ubwo busumbane burafitaniye isano rinini n'irwirirana ningoga na ningoga ry'abakenyezi bandura umugera wa Sida. Abakenyezi bakesha ibibabeshaho vyose kubagabo, bagira ubwigenge n'uburenganzira buke kumubiri wabo kandi iyo hageze kurangura amabanga mpuzabitsina ntibagira ico bavuga. Intumwa idasanzwe y'ishirahamwe mpuz'amakungu ONU muri Afrika kubijanye n'ikiza ruhonyanganda Sida avuga yuko ukutangana kw'ibitsina hamwe n'uko abakenyezi batinya gusaba ko borangura amabanga mpuzabitsina babanje kwikingira arizo mvo nyamukuru zituma ikiza Sida kirwirirana.

Ikibazo: Hoba hariho ibindi bintu bituma umukenyezi ageramirwa cane na Sida?
Inyishu: Egome. Mbihugu bitaratera imbere, abakenyezi barakenera kenshi guhabwa amaraso canke be no kwivuza; ibi rero birashobora gutuma yandura Sida. Ariko muri iki gihe ntabantu benshi bacandura biciye muri iyi nzira.
Ariko ibituma abakenyezi bageramirwa ni vyinshi.
Kubona abakenyezi bama bazeye ico bakeneye cose kubagabo bituma abakenyezi batiga canke ngo bagire ico bashoboye kwikorera, kenshi na kenshi mbere ugasanga nta n'impamyabushobozi canke ubumenyi nkenerwa bafise kugira bironkere akazi. Ivyo rero biratuma bama mubukene bujana no kudandaza umubiri. Abigeme bakiri batobato ugasanga bariko bakwegakwegerwa mu bushurashuzi n'abatama babahendesha amahera canke utundi tuntu babagabira. Uko niko usanga abagabo banduza umugera abigeme bakiri bato.